REPUBLIQUE DU BURUNDI Bujumbura, kuwa 25 /11/2019

CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

SECRETARIAT PERMANENT

Ijambo rishikirijwe na Nyakubahwa Umunyamabanga Ntayegayezwa w'Inama Nkuru y'Igihugu Ijejwe Umutekano, ashikirije abari mu manama y'Amakomite y'Umutekano ahurikiwemwo na bose yo mu makomine ari ku mbibe z'igihugu.

MU NTARA YA MAKAMBA- NYANZA-LAC

- Nyakubahwa Mushikiranganji ajejwe Intwaro yo hagati mu gihugu, inyigisho zo Gukunda igihugu, hamwe n'iterambere ry'abenegihu ;
- Nyakubahwa mwunganizi w'umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu, inyigisho zo Gukunda igihugu, hamwe n'iterambere ry'abenegihu ;
- Nyakubahwa Buramatari w'Intara ya **Makamba ,**
- Nyakubahwa muyobozi mukuru mu bushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu,
- Ba nyakwubahwa mukora mu BNunyamabanga bukuru bw'umutekano
- Banyakubahwa ba Musitanteri b'amakomine,
- Banyakubahwa murongoye inzego z'umutekano muntara no mu ma komine,
- Banyakubahwa murongoye amazone,
- Banyakubahwa murongoye imitumba mwese muri hano,

- Banyakubahwa murongoye ubuzi butandukanye mu ntara ya Bubanza,
- Banyakubahwa mwaje muserukira amadini hamwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike,
- Banyakwubahwa bamenyeshamakuru
- Namwe mwese muhurikiye mu makomite ajewe kubungabunga amahoro n'umutekano w'abenegihugu mu buzima bwabo bwa misi yose,

Tugire Amahoro, Ubumwe, Ibikorwa, Iterambere n'Ubutungane.

Bashingantahe, Bapfasoni, Rwaruka,

1. Nagirango imbere yuko nshikiriza rino jambo ryo kubifuriza ikaze muri bino bikorwa vyuno musi, mbanze nkengurukire Umukama Mana Data wa twese yo yaturinze tukaba tugeze kuri uno munsi turi bazima, mbere ngireko ndayisabe ihezagire kino kibanza tuvyagiyemwo n'ibija kuhakorerwa vyose.

Bashingantahe, Bafasoni,

2. Nkuko musanzwe mubizi, igikorwa co gutsimbataza amahoro n'umutekano ntikikiri igikorwa c'igisoda n'igipolisi gusa, ahubwo n'igikorwa c'abarundi bose,mu nzego zose , haba muri leta, mu bikorera utwabo, mubanya politike, abarongoye amadini hamwe n'abadaharanira inyungu za politike ; mu ncamake umurundi wese, eka n'umunyamahanga aba muri kino gihugu. Umutekano rero n'iryo shingiro nyamukuru ry'iterambere rirama mu gihugu, ni karahara mu ruganda ntibacura.

3. Twongeye kubibutsa ko ari muri iyo ntumbero, Inama nkuru y'umutekano yasavye Leta ko yoshiraho umugambi wo kubungabunga n'ukutsimbataza umutekano mu gushinga Amakomite y'Umutekano ahurikiyemwo bose ; ajejwe

Umutekano w'Abanyagihugu mu vyerekeye ubuzima bwabo bwa minsi yose. Ayo ma Komite rero akaba amaze gushingwa mu gihugu cose, kuva ku mutumba, quartier, zone, komine na province. Inama y'uno musi ikaba yakoranije mwebwe muhurikiye murayo makomite, mbere n'abandi kuko umutekano w'abanyagihugu uturaba twese.

4. Iyi nama y'uno musi, twayiteguye muntumbero yo gushira mungiro icifuzo ca Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Nyene Icubahiro Petero Nkurunziza, yasavye ko Ubunyamabanga twegera abanyagihugu, tukabibutsa kodutegerezwa gucungera umutekano wacu n'uwigihugu cose, tukabumbatira ubumwe bwacu, tugakomeza ibikorwa vy'iterambere, aho cane cane tubaye mbere no mu gihugu cose.

5. Vyongeye, umutekano w'umunyagihugu ni uwushingiye kubuzima bwiwe bwa minsi yose ; haba muvyo akeneye bigomba kumutunga we n'umuryango wiwe: nko gufungura neza kandi bikwiye, kwivuza, kwigisha urwaruka,kugira uburaro bwiza, kurwanya inzoga zitemewe n'amategeko no kunywa ibiyayura mutwe ; haba mu vyerekeranye n'ukubungabunga ibidukikije canke mugukinga impanuka, n'ivyo vyose vyohungabanya ubuzima bwiwe canke bw'igihugu ciwe.

6. Ihangiro ry'ino nama, kukaba arukugira ngo turabire hamwe ingene twozitira tutaronerwa twobigira umugenzo, maze umunyagihugu ahari hose yumve ko akingiwe, akore imirimo yiwe umutima uri munda. Kugira dukomeze iryo hangiro, dutegerezwa rero gushira mu ngiro ibi bikurikira :

   a. Kurushirizaho gukomeza amahoro n'umutekano mu mitumba yose mu gusuzuma uruja n'uruza rw'abantu

hamwe n'ukugenzura ibitabu vy'ingo (cahiers de ménages).

Dutegerezwa kumenya na ntaryo, kandi buri musi abashitsi bagendeye imitumba yacu, haba mu ma hoteli canke mu mihana. Ari na co gituma, mugomba kwibutsa ba nyumba kumi ko bagomba kurushirizaho kwandika buri musi abashitsi muri ya makaye mwabaha. Mu majambo make, n'ukuvuga ko mutegerezwa kumenya neza abanyagihugu baba buri nzu canke mu rupangu, mbere mukamenya nico bakora ; Mukamenya kandi abashitsi baharaye iyo bavuye niyo baja, n'igihe batahiye. Ivyo vyose bikaba bitomoye muri ya cahier twababwira.

b. Kurushirizaho guhanahana amakuru kugirango dushobore gukinga tutaronerwa.

Igikorwa cacu co kubungabunga umutekano, kidusaba na ntaryo kwama turikanuye mu guhanahana amakuru kugira umwansi ntaduce mu ryahumye. Uwujejwe intwaro arakeneye kumenya inkuru kugira amenye ku musi ku musi ingene ibijanye n'umutekano vyifashe mu karere ajejwe. Kandi, gutororokanya/kwegeranya inkuru: bitegerezwa kuva ku nzego zo hasi gushika hejuru: ni guhera k'Umukuru w'Agacimbiri, Umukuru w'Umutumba, Umukuru wa Zone , Musitanteri, gushika kuri Buramatari, nawe agahereza inzego nkuru z'igihugu iyo bibaye ngombwa. Ntimuyobewe ko hari inkozi z'ikibi ziri mu bihugu duhana imbibe zitifuza aya mahoro n'iri terambere turiko turayavyaza, murame mugavye rero ntiziduce mu ryahumye.

Igihugu cacu kirafise imbibe gihana n'ibindi bihugu bidukikije, urubibe rw igihugu cacu ni ntavogerwa. Umunyagihugu wese rero ahamagariwe gucungera urwo rubibe, hagize ico abona kibi agaca atanga iyo nkuru kubabijejwe kuburyo bwihuta.

c. Turwanye ibihuha kuko bihungabanya umutekano.

Umwansi arashobora gukwiragiza ibihuha kugirango ace ivutu abanyagihu, bashire umutima hejuru. Muri ico gihe, mwebwe murongoye abandi ni mwegere na ntaryo abo murongoye, mubaremeshe, mubabwire ukuri ; kanatsinda ntanzu iriko irasha, imipaka yacu iracungerewe neza ; mu gihugu hose n'amahoro.

Nukumenya kandi ko mubihe nkibi hama hari inkuru nyinshi zica ku mihora ngurukana bumenyi myinshi aha novuga nka WhatsApp, Youtube, opera news, facebook, humura, inzamba, iyakure t.v, eka nizibindi. Izo mbuga ngurukana bumenyi-niba atari « ngurukanabinyoma » zifise gushikira abantu benshi mu mwanya muto cane. Turabasavye rero kuzitondera kuko zimwe zimwe zacitse ibirwanisho vy'umwansi.
Akaba ariho amenera kugira akwiragize amarementanya hamwe n'ibihuha bifise intumbero yoguhuvya canke guca ivutu, canke gucanishamwo abenegihugu.
Muronse inkuru yitohoze neza, ariko ningoga naningoga hanyuma mubone kuyishikiriza abo igenewe. Kuko Umutware ahawe inkuru nabi, nawe ashobora kuvyifatamwo nabi.

Turasabwe cane cane gufatana munda, dukomeze ubumwe hagati yacu, ntihagire n'umwe muri twebwe agwa mu mutego w'abansi bashobora guteranya abarundi bahereye ku moko. Umutekano wacu ntugira ubwoko, ntugira intara; twame tuzirikana ko twese turi bene Burundi, bene mugabo umwe.

d. Ubushomeri,cane cane bw'urwaruka.

Igwirirana rya twebwe abarundi,ryatumye igitigiri c'urwaruka rurondera akazi kiba kirekire kuburyo Leta isanga ifise amikoro make yo kubaronsa akazi bose. Ari naco gituma

mwebwe mujejwe intwaro mugomba kuba hafi y'urwo rwaruka, mukarushigikira, mukarwigisha uburyo bwo kwibeshaho, arivyo twita entreprenariat, mbere mugashikiriza ico kibazo abo mwitoreye cane cane abashingamateka n'abakenguzamateka, kugirango haboneke imigambi myinshi yo gushigikira urwaruka, mutibagiye ya Banque Leta iheruka gushinga yo kuruteza imbere.

Dutegerezwa kumenya ko inguvu z'uno musi n'ejo dufise muri kino gihugu zihagaze kur' urwo rwaruka. Muragabe rero ntihagire abansi bashaka guhungabanya umutekano babesha urwo rwaruka rwacu, mukurukwegera mu nzira zidashika, ejo dusange ruvuga ngo iyo menya sinari gukurikira inkozi zikibi.

Ni muri iyo ntumbero dusavye abavyeyi bafise abana, cane cane imiyabaga ihejeje amashure : Ecole Fondamentale, Secondaire canke Kaminuza, kubakurikiranira hafi, mukubaha impanuro zubaka kandi zo gukunda igihugu, kugira ntibajane ya nzira ya nyabahururu.

e. Kugwiza umwimbu kugirango twihaze mu biribwa

Basokuru barayamaze bati « umutekano utangurira munda ». Mwame mumenya na ntaryo ko iyo umwimbu mu burimyi n'ubworozi ugwiriye kurugero nyarwo, abanyagihugu boroherwa, uwo mwimbu uca uvyara amahinguriro mato mato na manini, ayo nayo agaha akazi abanyagihugu, amakori akiyongera, mbere n' amafranga y'agaciro yo kugura imiti n'ibindi biva mu mahanga akaboneka. Nidukure rero amaboko mu mpuzu, kugirango umwimbu wo muri kano gatasi ube mwinshi, nkuko vyagenze umwaka uheze ; kandi tutibagiye gukingira ibidukikije.

f. Isuku rike mu mazu, ku mabarabara, mu masoko, muburiro no mubunywero,

Nkuko tubibona kandi tubisoma mu ma rapports, ikindi kibangamiye umutekano w'abanyagihugun'isuku rike, mwibuke ko mu ntango z'uno mwaka, ingwara zivuye kw'isuku rike cane cane Korera, yaduhekuye. Mwame mugavye kandi kugirango ca kiza Ebora kiri mu ntara zimwe zimwe za RDC, nticinjire hano iwacu, abaganga bacu bari ku mupaka bame barikanuye, ntibatezure.

g. Kurwanya abasahura abanyagihugu hamwe na Fraude.

Mumaze imisi mubibona canke muvyumva, hariho abadandaza biba abanyagihugu mukuduza ibiciro, cane cane abadandaza i CIMENT n'ifumbire ya FOMI, mwebwe murongoye abandi, ni mufatanye n'abapolisi muguhagarika abo basuma.

Vyongeye, intara ya Makamba ihana urubibe n'igihugu ca Tanzania, hari rero ibidandazwa bica mu mabarabara ndetse no mu mazi. Mwebwe murongoye abandi musabwe kurikanura kugira ngo amakori n'ama taxes vyose vyamuka ku rudandaza ruciye muri iyo mihora yinjire mu kigega ca Leta, kugira Leta ikore imigambi yo gutunganiriza bose, maze dushikire kwa kwikukira nyakuri, gufatiye ku kwitunganiriza igihugu mu butunzi tutarinze kurindira imfashanyo ivyuye hanze, na kare ak'I muhana kaza imvura ihise.

Umupaka wo kugenzura na canecane ni uwo duhana n'igihugu ca DRC, na none urogoye gucungera kuko uri mu mazi. Igituma mutegerezwa kuhashira inyishu nyinshi ni uko:

a) Umwansi ashobora kuhacengetera vyoroshe kuko ni yaza yigize umurovyi canke umudandaza, bizotugora kumuhinyura n'ingoga
b) Haca fraude nyinshi kandi bigoye gukontorora
c) Ikiza ca Ebola

Banyakubahwa mukoraniye hano,
Bashingantahe, Bafasoni,

7. **Amatati mw'ishengero ry'aba Adventiste b'umusi w'indwi**
Hariho kandi ukutumvikana kuri hagati y'abarongoye n'abipfuza kurongora ishengero ry'aba Adventiste b'umusi w'indwi. Iki kibazo tukigarutseko kuko kiri mu bishobora guteza umutekano muke canecane muri izi ntara za Cibitoke na Bubanza aho hagwiriye amasengero y'iryo dini, kandi bikaba bimaze kwibonekeza y'uko abayahurikiyemwo bamaze guhakwa gushiranako amaboko. Twarakibajijwe ejo n'abenegihugu bo mu ntara Cibitoke. Inyishu ni uko « ahari abagabo hatagwa ibara » ; iyo hari abatase, abagabo baheza bakaja hagati, bakabatatura, bakongera bakabumvikanisha. Ico rero ni ikibazo kiri mu minwe ya Leta n'abahuza, turindirane ukwemera, ukwizigira be n'urukundo twizere ko vuga abatase bazongera kunywana, bagasengera hamwe Imana Nyene imbabazi n'Urukundo ata wandya wangura

8. Rappel de la composition des Comités Mixtes de Sécurité (Ordonnance conjointe des CMS page 25)

Imbere y'uko turangiza twashaka tubibutse ibijanye n'indinganizo y 'ama komite ahurikiyemwo bose. Tubibibutsa kubera hari ibirere bimwebimwe ayo makomite atagikora neza, bikava biva kukudebukirwa canke ukwirengagiza kwa bamwebamwe mu bayagize, maze hagasigara ibihengeri

bidacungerewe, ari na vyo umwansi ashobora gucamwo yikinze agahumbezi kugira ashike kure kurusha uko twari tuvyiteze.

Menya Neza : komite y'umutekano ishirwaho hatisunze imigambwe

Lire page 25 de l'Ordonnance conjointe page 25)

9. Sinoheraheza rino jambo ntongeye kubashimira ku kugene mwatwakiranye iteka muri kino kibanza. Nagira ndababwire kandi ko ivyo twifuza gukora vyose tuzobihabwa n'uko dukunda igihugu cacu, mu kugitura amaboko, umutima n'ubuzima; tukakirinda umwansi, tukagikorera kugira gitere imbere.

Tukaba tubifurije gusozera uyu mwaka mu mahoro n'umutekano, maze muze mugire umwaka mwiza w 2020, utubere uw'ibikorwa vyiza mu gutsimbataza amahoro n'umutekano kugirango tugere kuri rya terambere rirama.

Imana Ibaje imbere, Murakoze